REPUBLIQUE DU BURUNDI

COMMISSION NATIONALE INDEPENDANTE DES DROITS DE L'HOMME

(CNIDH)

IJAMBO UMURWI W'IGIHUGU WIGENGA UJEJWE AGATEKA KA ZINA MUNTU USHIKIRIJE KU VYEREKEYE IKI GIHE CEREKEZA KU MATORA YO MURI UYU MWAKA W'2015

Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uritwararitse gukurikiranira hafi ibijanye na politike hamwe n'umutekano muri iki gihe c'umwiteguro kitwerekeza ku matora yo mu mwaka w'i 2015.

1. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona ko Umurwi w'igihugu wigenga ushinzwe gutunganya amatora hamwe n'abandi bose bafise uruhara mu matora yimirije bariko barakorana umwete bitegurira amatora, urubanza rwa mbere rw'ayo matora rukaba rutegekanijwe ku wa 26 Rusama 2015.
2. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona ko ishirwa mu ngiro ry'umwumvikano wavuye mu biganiro vyo gusuzumira hamwe ukuntu ivy'ukwandika abazoja mu matora vyagenze, ivyo bikerekeza kw'ishingwa ry'urutonde mfatakibanza rw'abazotora hamwe n'umwumvikano wavuyemwo wo guha akanya abatari bashoboye kwiyandikisha ngo biyandikishe biriko birakurikizwa.
3. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona kandi ko imigambwe hamwe n'abo bise aba « acteurs politiques » bariko barisuganya mu nani kugira ngo bahangare amatora bongereje ububasha mu gushira inguvu zabo hamwe.
4. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona umwitwarariko munini w'inzego mpuzamakungu n'amashirahamwe mpuzamakungu ku biba mu Burundi, na cane cane ibijanye n'itegurwa hamwe n'itunganywa ry'amatora, ivyo bigatuma Uburundi bwama buhanzwe amaso.
5. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urarajwe ishinga n'ukubona ukutihanganirana mu vya politike kuguma kwongerekana uko twegereza amatora. Naho tutari bubivuge vyose, umuntu yofatira ku turorero tumwe tumwe twerekana uko kutihanganirana. Hari nk'ugushangashirwa gutuma abantu baterana amajambo akomeye, hari ukurondera kuzimanganya ubuzima bw'abo mudahuje ivyiyumviro n'inzira za politike, hari ugupfunga abanywanyi b'iyindi migambwe mu buryo bunyuranye n'amategeko, hari ukwankira imigambwe imwe imwe canke abandi bari mu vya politike gutunganya amanama, hari ukwonona ibimenyetso biranga imigambwe canke ingoro z'imigambwe, hari itungwa n'ikoreshwa ry'ibirwanisho bicira umuriro

Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme
Tél B.P. 1370

mu buryo butemewe n'amategeko bituma abanyagihugu bagira ubwoba, hari inkuru zidasigurwa kumwe zerekeye abanyagihugu bo mu Kirundo bahungira mu gihugu c'Urwanda, eka n'ibindi umuntu yumva canke abona muri ino misi.

6. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona kandi ko mu gihugu ata biganiro bishemeye bishikiriza ukuntu abanyapolitike babona kazoza k'Uburundi hamwe n'imigambi yubakitse y'ukuntu abo banyapolitike bagomba kwubaka ako kazoza, ugasanga abantu birirwa mu mpari utabona akarusho zizaniye igihugu.
7. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urabona kandi ko ibivugwa vyinshi vyerekeye gusaba ubutungane bw'ingingo butunganiriza abaharanira agateka ka zina muntu na ba babikira b'abataliyanokazi batatu bicirwa muri Komine Kamenge, hakaba kandi n'ibitunganywa n'abari mu ma sindika ngo basabe gutunganirizwa, hamwe n'impari ku vyerekeye ko umukuru w'igihugu yoshobora gusubira kwitoza mu matora twimirije uno mwaka. Izo mpari z'urutavanako zifatiye ku kuntu aba na bariya basigura ingingo zimwe zimwe zo mw'ibwirizwa nshingiro hamwe n'ikibanza cohabwa amasezerano y'i Arusha y'amahoro n'ugusubiza hamwe mu Burundi.
8. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urazi neza ko indinganizo yerekeza ku matora agizwe mu mwidegemvyo, atunganirijwe ku mugaragaro mu buryo budakumira kandi akaba mu mutekano ava mu ntererano y'umwe umwe wese, na cane cane abaharanira ivyicaro vya politike. Icoza gihungabanya umutekano w'abanyagihugu cose dutegerezwa kucirinda kuko conatuma hahungabanywa agateka ka zina muntu.
9. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urashimishwa n'utwigoro Leta y'Uburundi, Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora hamwe n'ishirahamwe mpuzamakungu bariko barakora kugira ngo haboneke ivyofasha vyotuma amatora agirwa mu mwidegemvyo, agatunganywa ku mugaragaro mu buryo budakumira kandi akaba mu mutekano. N'ubu tubandanya duhamagarira abagenzi b'Uburundi n'ababufasha bose ngo bakomeze bashigikire inzira turimwo y'amatora.
10. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uribukije ko Leta ariyo ishinzwe ubwa mbere umutekano hamwe n'ubutungane kuri bose. Leta itegerezwa gukingira umunyagihugu uwariwe wese kandi igakora uko ishoboye kwose kugira ngo hamenyekane inkozi z'ikibi zagirwa n'ivyaha.
11. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uribukije abarongozi b'imigambwe ko bategerezwa kuguma batumbereza inzira ibereye abanywanyi bahurikiye mu migambwe yabo, na cane cane abari mu mihari y'urwaruka ikomoka kuri iyo migambwe. Naho icaha cama cega umuntu ku gatwe kiwe, abarongozi b'imigambwe ntibashobora kudahangara intahe mu gihe habaye ihonyangwa ry'ikivunga ry'agateka ka zina muntu, canke ngo habe ivyaha vyo mu ntambara, ivyaha vy'agahomerabunwa n'ibindi vyaha amakungu amaze kwemeza ko bitagirirwa ikigongwe. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu wemeza ko ata mvo n'imwe yotuma dusubira mu bwicanyi n'ugukoresha igikenye kandi twaramaze kwiyemeza kugendera mu ntwaro rusangi ishingiye ku migambwe myinshi kandi biciye mu matora meza.

Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme
Tel 1370

Umunyapolitike wese agomba guhiganwa ategerezwa kuronka ikibanza agahiganwa hamwe n'abandi.

12. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urahamagariye abanyamigambwe n'abandi baharanira ivyicaro vya politike ngo bashire imbere gushikiriza abanyagihugu ukuntu babona kazoza k'Uburundi hamwe n'imigambi bafise yo kwubaka ako kazoza, maze ivyo bimurikire abanyagihugu mu kubaza umutima hageze gutora.
13. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urasubiye guhamagarira abo bose boba bafise ivyo basaba ngo babigirane ubwitonzi, bagenzwe n'ukwihanganirana, bame bashira imbere inzira yo kuja inama n'ingingo, na cane cane muri ibi bibazo bihambaye vy'itunganywa ry'amatora canke ivy'imanza ziri imbere y'intahe.
14. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu urahamagariye urwego rw'ubutungane ngo rurabe neza urugero rw'umugenzo w'ukudahana mu Burundi maze rufate ingingo zose zibereye kugira ngo abanyagihugu ntibashike ku rugero bokwihebura maze ngo bibatume barondera kwihanira. Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu uhamagariye Urwego rw'ubutungane hamwe n'Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutunganya amatora kubandanya bitegura neza kugira baze batunganirize igihugu mu gihe hokwaduka impari n'imanza zijanye n'amatora.
15. Mu guheraheza, Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu usavye urwego z'ukwivuna abansi hamwe n'urw'umutekano ngo zikingire abanyagihugu bose mu mice yose y'igihugu ku rugero rumwe kandi abagize izo nzego birinde kugira aho bahengamira mu vya politike.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 19 ntwarante 2015

Ku bwa CNIDH
Furera Emmanuel NTAKARUTIMANA
Umukuru w'umurwi